**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°29 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 24 MUNYONYO 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 24 Munyonyo 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Imbere yo gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarakeje abashikiranganji bashasha, ko bizewe bakagenwa muri ayo mabanga, aca abipfuriza ikaze mu nama nshikiranganji.

Yabipfurije kandi kuroranirwa muri ayo mabanga yo gushira mu ngiro imigambi y'igihugu mu bisata bajejwe.

Yarakeje kandi n'abashikiranganji bahinduriwe ubushikiranganji, kuko barungitswe kunagura ubushikiranganji bundi hihwejwe ubumenyi n'ubushobozi bwabo.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 11 Munyonyo 2021.

Umushikiranganji wa Mbere nawe imbere yo gushikiriza ico cegeranyo, yarashimiye Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ko yaronkeje Reta amaraso mashasha n'amaboko mashasha, ivyo navyo bikaba vyongerereza inguvu Reta.

Nawe nyene yaciye akeza abashikiranganji bashasha, arabamenyesha ko ubu binjiye mu muryango mushasha wiyunze wa « Reta Mvyeyi, Reta Nkozi ».

Yarakeje kandi n'abashikiranganji bahinduriwe ubushikiranganji, kuko iryo hinduka ryisunze ubumenyi n'ubushobozi bafise, bukenewe kugirango banagure ubwo bushikiranganji bushasha barungitswemwo kurongora.

Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza Umukuru w'Igihugu ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 11 Munyonyo 2021, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga abakozi bafasha mu Gipolisi c'Uburundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

Igipolisi c'Uburundi kigizwe n'abapolisi b'intwazangabo, ibisongerezi vy'intwazangabo, abapolisi batoyi, abibutsamana, n'abakozi bafasha.

Kuva igipolisi c'Uburundi gishinzwe mu mwaka w'2004, abakozi mu Gipolisi bagengwa n'ibwirizwa n°1/06 ryo ku wa 02 Ntwarante 2006.

Mu mwaka w'2015, harashizweho itegeko n°100/127 ryo ku wa 23 Ndamukiza 2015 ryerekeye ingingo zishira mu ngiro ibwirizwa n°1/06 ryo ku wa 02 Ntwarante 2006 rishinga amategeko agenga abakozi bo mu Gipolisi c'Uburundi ku vyerekeye abakozi bafasha. Iryo tegeko niryo rikibagenga gushika ubu.

Kuva muri Ruhuhuma 2017, Igipolisi c'Uburundi kigengwa n'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017.

Ishirwaho ry'iryo bwirizwa ryatumye iryo tegeko rigenga abakozi bafasha, risa n'iritaye igihe.

N’ibwirizwa nshingiro ryagiyeho mu mwaka w’2018 rivuga ko ibigenga abakozi bo mu nzego zo kwivuna abansi n’umutekano biri mu bitunganywa n’amabwirizwa.

Iyi nteguro rero ije kugirango ishire mu ngiro ingingo ya 313 y’ibwirizwa ryo mu 2017 ritunganya igipolisi c’Uburundi aho ivuga iti « ingene abakorera mu gipolisi c’uburundi batera imbere mu kazi vyerekanwa n’amabwirizwa agenga abakozi bo mu gipolisi c’Uburundi ».
Ije kandi kwubahiriza ibiri mw’ibwirizwa nshingiro aho rivuga ko ibigenga abakozi bo mu nzego zo kwivuna abansi n’umutekano biri mu bitunganywa n’amabwirizwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze ko abakozi bafasha mu Gipolisi c’Uburundi bategerezwa kugengwa n’ibwirizwa, hisunzwe ibwirizwa nshingiro, ica iremeza iyo nteguro. Ivyasabwe ni ibi bikurikira :

- Mu kigabane ca kabiri, gushiramwo ingingo ivuga ko ibijanye n’ingene umurwi ujejwe kwinjiza abakozi bafasha mu gipolisi c’Uburundi n’ingene uwubona ko yoba yarenganijwe asaba gutunganirizwa bizotomorwa n’itegeko rindi ;
- Kuraba neza mu ngingo ya 40 ijanye n’amakosa y’inyifato mu kazi, be n’iya 41 ijanye n’ibifatwa nk’amakosa ahambaye, kuko hari ibigaruka muri izo ngingo zose uko ari zibiri.

Ku bijanye n’uko hoba hari uturusho turonswa abakozi bafasha mu Giporisi c’Uburundi n’abakozi b’abasivire bakora mu Gisirikare c’Uburundi, Inama nshikiranganji yasavye Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba kuraba amategeko agenga izo nzego zibiri ahari, arabe ubusumbasumbane bwoba buhari, ivyo ategekanya, hanyuma ategure urwandiko azoshikiriza inama nshikiranganji kugira irwige.

2. **Intenguro y'itegeko rishinga ingingo ngenderwako zerekeye itunganywa ry'ingene impapuro ngaragazabumenyi zitangwa n'ingene zemezwa,** yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe indero n'ubushakashatsi.

Ingingo ngenderwako zerekeye itunganywa ry'ingene impapuro ngaragazabumenyi zitangwa n'ingene zemezwa zirahambaye kuko nizo zerekana ingene urugero rw'inyigisho rugenda rurasumbasumbana, ibisabwa kugirango umuntu yemererwe gukurikirana inyigisho, be n'impapuro ngaragazabumenyi zitangwa iyo izo nyigisho zirangiye.

Zirerekana kandi inyigisho zitandukanye zitegekanywa gutangwa, bigatuma umuntu yitorera ico yiga bivanye n'ico ashaka kuzokora.

Iyi nteguro ije kandi mu ntumbero yo kuja ku rugero rumwe n'ingene inyigisho zitunganywa mw'ishirahamwe ryo mu bihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, hisunzwe amasezerano ashiraho isoko rusangi muri iryo shirahamwe yemerera abanyeshule canke abakozi kuja aho bashatse mu bihugu birigize.

Twomenyesha ko mu bihugu bigize ishirahamwe ryo muri Afrika y'Ubuseruko, Uburundi arico gihugu conyene kitari gifise izo ngingo ngenderwako zerekeye itunganywa ry'ingene impapuro ngaragazabumenyi zitangwa n'ingene zemezwa.

Ibwirizwa ryo mu mwaka w'2020 risubiramwo itunganywa z'inyigisho za kaminuza be n'itegeko ryo mu mwaka w'2020 ritunganya ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi nayo nyene arategekanya itegeko rishiraho ingingo ngenderwako zerekeye itunganywa ry'ingene impapuro ngaragazabumenyi zitangwa n'ingene zemezwa.

Muri bishasha iyi nteguro y'itegeko izanye harimwo kwererekana ingene inyigisho nshingiro, izikurira inyigisho nshingiro, inyigisho za kaminuza n'inyigisho z'ubuhinga n'imyuga zigenda zirasumbasumbana n'ico zipfana.

Irashiraho kandi n'inzego zizoshira mu ngiro izo ngingo ngenderwako.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ica isaba ibi bikurikira:

- Gutanganya neza ikigabane cerekeye ingene ubusumbasumbane buharurwa mugusubiramwo kwandika ingingo ya 10 n'iya 11, urugero rw'inyigisho rwose rukajanana n'agace karwo kugirango bisomeke neza ;
- Kwongeramwo ingingo ijanye no kwemeza ubumenyi bw'umuntu yironkeye mu vyo asanzwe akora naho ata mashule yoba yarize ;
- Kumenyekanisha izi ngingo ngenderwako mu bisata vya Reta, mu bakoresha, be no mu bakozi;
- Kuraba icokorwa ku bantu bigaragara ko bafise ubushobozi budasanzwe mu bisata badafisemwo impapuro z'umutsindo.

**3. Integuro y'itegeka ritunganya igisagara ca Gitega gushika mu mwaka w'2050**

**4. Integuro y'itegeko rishinga imbibe z'igisagara ca Gitega**

Izi nteguro uko ari zibiri zashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Reta y'Uburundi yarashinze ko igisagara ca Gitega ari umurwa mukuru wa politike.
Ariko ico gisagara kirakeneye gutunganywa neza kugirango gikwizwe ibikenewe, kugirango kibe koko umurwa mukuru wa politike wikwije.

Ibirangurirwa mu gisagara bitegerezwa gutegekanywa kugirango bigende ku murongo mwiza. Nico gituma haba intunganyo y'igisagara.

Iyo ntunganyo niyo yerekana ibizokwubakwamwo n'aho bizubakwa ku kiringo kirekire, n'imiburiburi imyaka cumi n'itanu.
Itegerezwa gufatira kuri ibi bikurikira :

- Ingene abantu biyongera
- Gukingira ibidukikije
- Imirimo izoharangurirwa
- Gutegekanya inyubakwa rusangi

- Gutegekanya ahazubakwa amazu y’uburaro
- Ubuzi buzoharangurirwa

Kubera ko igisagara ca Gitega cabaye umurwa mukuru wa politike, bitegekanijwe ko mu mwaka w’2050, muri ico gisagara abantu bazoba biyongereye incuro zitanu.

Iyo ntunganyo y’igisagara ca Gitega gushika mu mwaka w’2050 rero ica iba mu vyihuta, kugirango habe icisungwa gituma igisagara kitubakwa mu kajagari, hubakwe amabarabara meza, no gushiraho ivyo vyose nkenerwa mu gisagara.

Iyo ntunganyo yateguwe hubahirijwe uturere tuzorangurirwamwo ibikorwa bitandukanye (aho kwubakamwo amazu yo kubamwo, ahagenewe inyubakwa za Reta, ahazorangurirwa uburimyi, ahagenewe ubworozi, n’ibindi).

Twomenyeshako intunganyo y’igisagara ca Gitega ihari ari iyo mu mwaka w’1986, vyumvikana ko ikeneye gushirwa ku gihe.

Hategekanijwe ko amahegitare ibihumbi bine n’amajana umunani (4800) ariyo azotunganywa muri iyi myaka mirongo itatu igiye kuza, bikaba bitegekanijwe ko azokwakira abantu bagera hafi ku bihumbi amajana ane na bitanu (405 000).

Bimwe bimwe muri bishasha bizoba biranga igisagara ca Gitega harimwo ibi bikurikira:

- Amabarabara makuru yose yinjira mu gisagara ca Gitega azoba agizwe n’amabarabara abiri abiri ;
- Ayo mabarabara yose azoba yatunganijwe ku buryo abagendesha amakinga be n’abagenda n’amaguru bazoba bategekanirijwe aho baca ;
- Ibarabara rifatanya igisagara ca Gitega n’ikibuga c’indege c’i Bugendana rizoba rigizwa n’amabarabara abiri ;
- Ibibanza bikingiwe bizoba bikikujwe n’amabarabara.

Iyi ntunganyo ntije kunyaga amatongo y'amakomine ahana imbibe na Komine Gitega mu guhindura imbibe zayo, ahubwo ije gushiraho imbibe nshasha z'igisagara ca Gitega gushika mu mwaka w'2050, kugirango ibizorangurwa muri ico kiringo bitegurwe neza.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza izo nteguro zibiri, yarazemeje, mu vyasabwe hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Gushira intunganyo y'igisagara ca Gitega yo mu mwaka w'1986 mu vyo izi nteguro zisunga ;
- Kugirango iyo ntunganyo y'igisagara ca Gitega ije mu ngiro neza, hofatwa ingingo zo gukinga ingorane zokwibonekeza mu nyuma mu kwerekana ingene uturere tuzotunganywa tumeze be n'ibirimwo, kugirango hageze gutanga umuzibukiro vyorohe;
- Kubuza ibindi bikorwa bishasha vyoranguririrwa ahagenewe iki canke kiriya, kiretse ababifitiye uburenganzira babanje gutanga uruhusha ;
- Gutunganya uburaro hisunzwe ingene abantu bagenda barasumbasumbana mu buryo;
- Gushiraho amategeko agenga itunganya ry'amatongo yo kwubakamwo Reta ibifatanije na beneyo ;
- Kubuza abazoronswa ibibanza vyo kwubakamwo, kwubaka bitemejwe n'umugwi ubijejwe hakisungwa ibicapo vy'amazu yategekanijwe kwubaka aho hantu;
- Kumenyekanisha iyi ntunganyo y'igisagara ca Gitega kugirango abo bose vyega bayigire iyabo, umwe wese amenye ikirekuwe n'ikibujijwe ;
- Kwibutsa ama komite yo mu ntara no mu makomine ajejwe itunganywa ry'amatongo, uruhara bafise mu kurwanya iyubakwa riciye kubiri n'amategeko;
- Kunyarutsa umugambi wo kugwiza uburaro uriko urategurwa;
- Gushinga uburimbi bw'aho amabarabara azoca kugirango bose bahabone, kandi ico gikorwa kibe caheze mu kiringo c'amezi atatu;
- Mu ntumbero yo kugira ibisagara bishajije, kwubaka amazu ari ku ngero zitandukanye umuntu akaja muyo bikwiranye, aho gutanga ibibanza vyo kwubakamwo;

- Kureka ingeso yo kwimura imbibe z'ibisagara kuko habonetse amazu meza yubatswe mu turere duhana imbibe n'ivyo bisagara ;
- Gufata ingingo mperekeza kugirango iyi ndinganizo ntizoherere mu nyandiko gusa nk'iyari yatunganirijwe igisagara ca Bujumbura.

Ku bijanye n'indinganizo y'igisagara ca Bujumbura yari gushikirizwa mu tuntu n'utundi, yaciye yigirwa hamwe n'iyi Gitega kugira ifatirweko nk'icigwa.
Umushikiranganji ajejwe inyubakwa yamenyesheje inama nshikiranganji ko iyo ntunganyo yatangujwe mu mwaka w'2014, ku buryo butanzwe n'ishirahamwe PNUD ariko ko ibikorwa vyaciye bihagarara kubera ingorane zashitse mu mwaka w'2015. Uwo mugambi warasubiye kuronswa uburyo urabandanya ibikorwa mu mwaka w'2017 gushika mu mwaka w' 2018.

Yaramenyesheje ariko ko kubera ata tegeko ryigeze rijaho ryemeza iyo ntunganyo, ntiyigeze ishirwa mu ngiro.
Isa rero n'iyataye igihe kuko n'ahari hategekanirijwe kwubaka ibi canke biriya, haciye hubakwa amazu mu kajagari.

Inama nshikiranganji yaciye isaba umushikiranganji ajejwe inyubakwa gutegura neza iyo dosiye, yerekane ibibazo bihari be n'icokorwa, ayishikirize inama nshikiranganji iyige.

Inama nshikiranganji yamusavye kandi kwiga mu maguru masha ikibazo c'amazu yubatswe mu kajagari, aho nka Karitiye yose yubakwa ugasanga nta mabarabara ahari.

5. **Urwandiko rujanye n'ingene ikigo kijejwe ubushakashatsi mu vy'uburimyi n'ibitungwa (IRAZ) cifashe muri iki gihe,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije uburimyi n'ubworozi.

Ikigo kijejwe ubushakashatsi mu burimyi n'ubworozi (IRAZ) cashinzwe mu mwaka w' 1979 n'Ishirahamwe CEPGL rigizwe n'Uburundi, Urwanda, na Republika iharanira Demokarasi ya Kongo, kimaze imyaka itari mike gifise ingorane, imirimo yaco nka yose ikaba isa n'iyahagaze.
Ivyo vyavuye ku ntambara zabaye muri ivyo bihugu vyose bigize iryo Shirahamwe, cane cane kuva mu mwaka w'1993.

Kubera ico kigo IRAZ kiri ku butaka bw'Uburundi, abategetsi b'Uburundi bumva ko bahamagarirwa kugerageza ibishoboka vyose kugirango ibintu ntibigume biyangara, mu gukingira amatungo y'ico Kigo be n'ivyo cashitseko kandi vyinshi mu bijanye n'Ubushakashatsi imbere y'uko imirimo ihagarara, ariko Uburundi butarenze kuvyo bwiyemeje ku masezerano bufitaniye n'ivyo bindi bihugu.

Kubera ivyo rero, no mu kurindira ko ibintu bisubira mu buryo hagati y'ivyo bihugu bitatu, birakwiye ko igihugu c'Uburundi gifata ingingo zo gukingira amatungo ya IRAZ ku nyungu z'Umuryango CEPGL no ku nyungu z'Uburundi, kuko ata gikozwe, Uburundi bwoshobora kubazwa igituma ayo matungo yaheze nk'ifu y'imijira burorera.

Mu matungo y'ico kigo harimwo ibi bikurikira:

- Itongo rinini kandi ryiza cane rifise uburinganire bwa hagitare amajana atatu na mirongo itanu (350), muri iki gihe ataco ririko rirakoreshwa;
- Inzu nini harimwo ivyumba vyo gukoreramwo mirongo itanu (50) ishobora kwononekara hamwe atacokorwa;
- Amazu cumi n'atatu (13) yo kubamwo ubu yiberamwo abahora ari abakozi ba IRAZ , kandi ataco bariha;
- Ishamba ry'ibiti ribangamiwe n'imiriro ya nyakanga kandi abaryegereye baguma bashaka kuryihagira ;
- Amasuzumiro (laboratoires) abikwamwo imbuto zitandukanye z'ibiterwa adakurikiranwa neza;
- Ubwoko butandukanye bw'imbuto bubitswe igihe kirekire bushobora kwononekara ;
- Amatongo y'ibitoke vy'ubwoko bwinshi kandi burobanuye adakurikiranwa neza.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya hino ico kibazo, yapfunditse ibi bikurikira :

- Kuraba mu mategeko ahari kugirango hamenyekane uwufise uburenganzira bwo guhamagaza inama ya bose muri iki gihe ;
- Gukora urutonde rw'ibintu vyose bihari n'ingene bimeze, bikamenyeshwa ibihugu bigize iryo shirahamwe ;
- Nta kibuza ko itongo rya IRAZ ryorimwa mu kurindira ko ibikorwa nyezina bisubira gutangura ;
- Kwiga uburyo bwo gukingira ivyo vyose bishobora kwononekara, ibishobora kuba birakoreshwa bigakoreshwa harimwo n'ivyo vyuma bibitse imbuto zitandukanye ;
- Kumenyesha ibindi bihugu ibizoba biriko birakorwa n'Uburundi kuri iryo tunga rusangi ;
- Kuvugana n'ivyo bihugu bindi biciye mu nzira y'imigenderanire vyosubira bigatangura ;
- Ababa mu mazu ya IRAZ biciye kubiri n'amategeko bosohorwa mu maguru masha.
- Kugarukana ishule ryahora ryigisha abana b'abakozi ba IRAZ mu minwe ya Reta.

**6. Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano yaramenyesheje inama nshikiranganji ibijanye n'amatoni y'ibigori agera ku majana abiri na mirongo itatu (230) yafatiwe mu Ntara za Makamba na Ruyigi yinjijwe mu gihugu bidaciye mu mategeko.
  Yamenyesheje ko ivyo bigori bizohabwa ababikeneye gusumba abandi, aha twovuga nk'amarerero y'impfuvyi, ibigo vyakira abantu bashaje, abatewe n'umwuzurira, abononewe imirima n'imvura, n'abandi.

- Imbere yo gusozera inama, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaratekereye impanuro abashikiranganji bashasha.

Yarabamenyesheje ko Reta ikora mu bumwe no mu kwuzuzanya, ko rero batotinya kubaza bagenzi babo ico babona kibazazaniye canke kibabakiye mu gihe babona bikenewe.

Yabamenyesheje ko baje gukorera abenegihugu, ko rero bategerezwa kwumviriza ibibazo bafise, bakabitorera inyishu.

Yabasavye kandi kuba maso, baje ku rubuga kenshi, ntibafatire ku vyegeranyo bahabwa n'abahinga babo vyonyene, kuko barashobora kutababarira ukuri kubera inyungu baba bafisemwo.

Ku bashikiranganji bashasha canke bahinduriwe ubushikiranganji, yamenyesheje ko igenwa ryabo ryisunze ubumenyi n'ubushobozi bwagaragaye muri bo, kugirango barungikwe kubunagura. Ni ya ngendo nziza ya Reta yo gushira umuntu aho ashoboye kandi mu gihe co.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarashimiye kandi Umushikiranganji wa Mbere ku bukerebutsi n'umwete akorana mu mabanga yiwe yo kuremesha no gutunganya ibikorwa vya Reta.

Inama nshikiranganji yasozorewe n'umwidondoro w'abashikiranganji bashasha baheruka kugenwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu aca abipfuriza kuroranirwa muri ayo mabanga mashasha bashinzwe.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 25 Munyonyo 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE